2.POUVOIR EXECUTIF 3. URWEGO NSHINGAMATEKA 3.POUVOIR LEGISLATIF 4. URWEGO RW'AMASENTARE 4. POUVOIR JUDICIAIRE 5. IBISATA BITEGAMIYE LETA BE N'IMIGAMBWE 5.SOCIETE CIVILE ET PARTIS POLITIQUES 6. ABAJEJWE GUCUNGERA UMUTEKANO 6. FORCES DE L'ORDRE 7.IBIMENYESHAMAKURU 7. MEDIAS 8. AMATORA 8.ELECTIONS 9. UKUVUGANA.

# TWOBÀHO GUTE MU NTWARO RUSANGI I BURUNDI ?

24.CULTURE 25.UBUTUNGANE MU BANYAGIHUGU 25.JUSTICE SOCIALE 26.UBUNTU NDANGAGIHUGU NYAKURI 26. CITOYENNETE RESPONSABLE 1.IGIHUGU KIRANGWA N'AMATEGEKO 1.ETAT DE DROIT 2.INZEGO NSHINGWANTWARO 2.POUVOIR EXECUTIF



NATIONALE 14. IBIKORWA 14. TRAVAIL 15. AMAJAMBERE 15.PROGRES 16. UKWUBAHA UBUZIMA BWA KIREMWA MUNT 16.RESPECT DE LA VIE HUMAINE 17. INZIRA Y'UBWITONZI 17. NON-VIOLENCE 18. AMAHORO MU BANTU 18.PAIX SOCIALE 19. AMADINI

# COMMENT VIVRE EN DEMOCRATIE AU BURUNDI ?

POLITIQUES 6. ABAJEJWE GUCUNGERA UMUTEKANO 6. FORCES DE L'ORDRE 7.1 BIMENYESHAMAKURU 7.MEDIAS 8.AMATORA 8. ELECTIONS 9. UKUVUGANA UKURI KU MUGARAGARO 9.TRANSPARENCE 10. INDERO N'UBUMENYI 10.EDUCATION 11.UKUNGANA 1 I. EGALITE 12. UKWISHIRA N'UKWIZANA 12.LIBERTE 13. UBUMWE BW'ABARUNDI 13.UNITE NATIONALE 14. IBIKORWA 14. TRAVAIL 15. AMAJAMBERE 15.PROGRES 16.UKWUBAHA UBUZIMA BWA KIREMWA MUNT 16.RESPECT DE LA VIE HUMAINE 17. INZIRA Y'UBWITONZI

TWOBAHO GUTE MU NTWARO RUSANGI
I BURUNDI?

COMMENT VIVRE EN DEMOCRATIE
AU BURUNDI?

IBIRI MURI AKA GATABU BITEGUWE MU KIRUNDI NO MU GIFARANSA.

LE CONTENU DE CE FEUILLET EST PRESENTE EN FRANCAIS ET EN KIRUNDI.

Page

Introduction 6
Note aux lecteurs et lectrices 8

THEMES
1. Etat de Droit 10
2. Pouvoir Exécutif 12
a. Le Président de la République
b. Le Gouvernement
3. Pouvoir Législatif 14
4. Pouvoir Judiciaire 16
5. Société Civile et Partis Politiques 18
6. Forces de l'Ordre 20
7. Médias 22
8. Elections 24
9. Transparence 26
10. Education 28
11. Egalité 30
12. Liberté 32
13. Unité Nationale 34
14. Travail 36
15. Progrès 38
16. Respect de la Vie Humaine 40
17. Non-Violence 42
18. Paix Sociale 44
19. Confessions Religieuses 46
20. Participation 48
21. Tolérance 50
22. Solidarité 52
23. Leadership 54
24. Culture 56
25. Justice Sociale 58
26. Citoyenneté Responsible 60
Réponses
Du thème 1 au thème 6 62
Du thème 7 au thème 12 64
Du thème 13 au thème 19 66
Du thème 20 au thème 26 68


*IBIRIMWO*


Ku rupapuro

Intangamarara 7
Ico abasomyi botegera 9

IVYIYUMVIRO
1. Igihugu Kirangwa n'Amategeko 11
2. Inzego Nshingwantwaro 13
a. Umukuru w'Igihugu
b. Urwego Nshikiranganji
3. Urwego Nshingamateka 15
4. Urwego rw'Amasentare 17
5. Ibisata Bitegamiye Leta be n'Imigambwe 19
6. Abajejwe Gucungera Umutekano 21
7. Ibimenyeshamakuru 23
8. Amatora 25
9. Ukuvugana Ukuri ku Mugaragaro 27
10. Indero n'Ubumenyi 29
11. Ukungana 31
12. Ukwishira n'Ukwizana 33
13. Ubumwe bw'Abarundi 35
14. Ibikorwa 37
15. Amajambere 39
16. Ukwubaha Ubuzima bwa Kiremwa Muntu 41
17. Inzira y'Ubwitonzi 43
18. Amahoro mu Bantu 45
19. Amadini 47
20. Ugufashanya mu Gutunganya ivy'Igihugu 49
21. Ukwihanganiranira 51
22. Ugushirahamwe 53
23. Imboneza 55
24. Imico Kama 57
25. Ubutungane mu Banyagihugu 59
26. Ubuntu Ndangagihugu Nyakuri 61
Inyishu
Kuva ku ciyumviro ca 1 gushika ku ca 6 63
Kuva ku ciyumviro ca 7 gushika ku ca 12 65
Kuva ku ciyumviro ca 13 gushika ku ca 19 67
Kuva ku ciyumviro ca 20 gushika ku ca 26 69

*"Le Burundi est une République unitaire, indépendante et souveraine, laïque et démocratique.*
*Son principe est le gouvernement du peuple, par le peuple et pour le peuple. "*
*(Art. 1 (1-2) Constitution de la République du Burundi)*

C'est justement dans un esprit démocratique que le présent feuillet à été développé. Son contenu reflète les idées issues de près d'une centaine de rencontres avec des Burundaises et Burundais de tout milieu, à qui l'on a demandé comment ils percevaient un Burundi démocratique, et comment ils désiraient voir cette réalité s'incarner clans leur pays.

De ces nombreuses rencontres, 26 themes ont été identifiés comme fondamentaux. Chacun de ces thèmes vous est présenté sous forme d'énoncés qui synthétisent l'essentiel des commentaires recueillis. Aussi avons-nous ajouté des questions et sujets de discussion pour mieux approfondir chaque thème clans le contexte Burundais. Nous tenons done à remercier très sincèrement tous ceux qui ont contribué au développement de ce feuillet et qui de ce fait même en sent devenus co-auteurs.

Ce feuillet étant done le reflet de valeurs et principes auxquels s'associent les Burundaises et Burundais, nous espérons qu'il sera source d'inspiration pour tous. Le Burundi avait suivi l'exemple de plusieurs nations en optant d'intégrer ces valeurs fondamentales au sein de ses institutions. Malheureusement, l'histoire récente a démontré comment il peut être difficile d'incarner ces valeurs et facile de les bafouer. La voie du retour à la paix ne pourra prendre racine que si ces idéaux démocratiques rejaillissent avec conviction, comme point de ralliement de la majorité de la population, désireuse d'un Burundi de paix pour tous.





*"Uburundi ni Repubulika imwe rudende, yigenga vy'ukuri, itegamiye idini na rimwe kandi ishingiye ku ntwaro rusangi.*
*In twaro Uburundi bushimikiyeko ikomoka ku banyagihugu, ni bo bayishinga kandi ni bo iharanira. "*
*(Ingingo ya 1(1-2) Ibwirizwa Nshingiro rya Repubulika y'Uburundi)*

Twateguye aka gatabu mu mugambi wo gutsimbataza intwaro rusangi. Ibirimwo biserura ivyiyumviro vy'Abarundi n'Abarundikazi bababa hafi y'igitigiri c'ijana bamuka mu mice yose y'ubuzima bw'igihugu. Twarababajije ingene babona intwaro rusangi mu Burundi n'ingene bipfuza ko yoshinga imizi mu gihugu cabo.

Muri iyo mibonano itari mike twagize, ivyiyumviro mirongo ibiri na bitandatu vyaribonekeje. Kimwe kimwe muri ivyo vyiyumviro carashikirijwe nk'icegeranyo c'ivyavuzwe vyose. Kandi twarongereje utubazo be n'ivyiyumviro vyo guharirako kugira ngo mubonereho akaryo ko kubinonosora. Tuboneyeho gushimira bimwe bivuye ku umutima abantu hose batanze intererano y'ivyiyumviro bigize aka gatabu mbere kubera ico, ni bo na twebwe, banditsi bako.

Kubera ko aka gatabu ari icegeranyo c'ingingo n'inyifato ngenderwako ku barundi n'abarundikazi bose, twizeye ko kobera hose isoko y'ubwenge burangwa n'umutima. Uburundi bwari bwakurikiye akarorero k'ibihugu vyinshi vyo kw'isi mu gushira mu ngiro ingingo n'inyifato ngenderwako mu nzego nshingiro zabwo. Ariko si ivy 'imbeshere ibiheruka kuba vyarerekanye ko izo ngingo n'inyifato zigoye gushira mu ngiro bikoroha kuzisambura. Inzira yo kugarukana amahoro ntishobora kunoga ivyo vyiyumviro bishingiye ku ntwaro rusangi, bitemewe neza na neza ko ari vyo huriro rya benshi mu banyagihugu bama bipfuza na ntaryo kwubaka Uburundi bw'amahoro kuri bose.

Note aux lecteurs et lectrices:

Le feuillet *Comment vivre en **Démocratie** au **Burundi?*** peut se lire de plusieurs façons. On peut le lire thème par thème ou en choisir un ou quelques-uns qui nous intéressent davantage.

Il est également possible d'approfondir certains thèmes à deux ou à plusieurs en discutant autour des questions et sujets qui suivent les énoncés.

Les élèves peuvent aussi dessiner des images pour représenter les énoncés ou improviser des sketches pour incarner les idées dans une scène de la vie quotidienne.

Borne lecture!



Ico abasomyi botegera:

Agatabu *Twobaho gute mu Ntwaro Rusangi i Burundi?* gashobora gusomwa mu buryo bwinshi. Mushobora gusoma iciyumviro kimwe kimwe, mushobora nogutora kimwe canke bimwe bibashitse ku umutima akaba arivyo munonosora.

Mushobora kubinonosora muri babiri canke mu murwi wa benshi, mugaharira no ku utubazo tujanye n'ivyo vyiyumviro.

Abanyeshure bashobora kandi gushushanya ibicapo bisigura ivyo vyiyumviro canke bagategura n'ivyivugo bijanye n'ibiba mu buzima bwa misi yose.

Some ntimurambirwe!

## 1. *ETAT DE DROIT*

1. Dans un Etat de Droit, on remplace la loi du plus fort par la loi du peuple. Cette loi du peuple s'applique de la même façon au plus fort comme au plus faible dans l'intérêt de tous.

2. Un Etat de droit reconnaît la suprématie de la loi comme la volonté générale du peuple et crée des institutions pour la concevoir (Pouvoir Législatif), l'administrer (Pouvoir Exécutif) et la faire respecter (Pouvoir Judiciaire).

---

**Questions/Réponses (page 62)**

1. Comment s'appelle l'ensemble des lois fondamentales définissant la forme de gouvernement du Burundi?

2. Comment s'appelle l'accord conclu entre les partis politiques agréés en vue de la mise en place d'institutions de "consensus" en septembre 1994, et expirant le 9 juin 1998?

Sujet de discussion :
Distinguez ce qu'on peut faire de ce qu'on ne peut pas faire si l'on désapprouve une loi.



## 1. IGIHUGU KIRANGWA N'AMATEGEKO

1. Mu Gihugu kirangwa n'Amategeko, ibwirizwa ry'igikenye risubirirwa n'ibwirizwa ry'abanyagihugu. Iryo bwirizwa ry'abanyagihugu rikurikizwa co kimwe ku muto no ku mukuru ku neza ya bose.

2. Igihugu kirangwa n'amategeko cemera ko abanyagihugu aribo bashinga ko itegeko riruta vyose, kigatunganya inzego ziryemeza(Urwego Nshingamateka), zikazikurikiza (Inzego Nshingwantwaro), zikongera zikaryubahiriza (Urwego rw'Amasentare).

---

**Utubazo/ Inyishu (ku rupapuro 63)**

1. Icegeranyo c'amategeko ngenderwako gisigura ingene igihugu gitunganijwe citwa ngw'iki?

2. Yitwa ngw'iki amasezerano imigambwe yemewe n'amategeko yagiriraniye kugira bashireho inzego nshingwantwaro yumvikanyeko muri nyakanga 1994 mu kiringo kizorangira igenekerezo rya 9 ruheshi 1998?

Iciyumviro co guhariráko :
Tandukanye icogirwa n'ikitogirwa iyo mudashimye itegeko.

## 2. POUVOIR EXECUTIF

*a. Le Président de la République*

1. "Comme chef de l'Etat, le Président de la République s'engage à défendre les intérêts supérieurs de la nation, à assurer l'unité nationale, la paix sociale, la justice sociale et le développement du pays, à promouvoir et à défendre les droits de l'homme et à sauvegarder l'intégrité et l'indépendance de la République."
*(Art. 68 (1) Constitution de la République du Burundi)*

*b. Le Gouvernement*

2. Le Gouvernement comprend le Premier Ministre, les ministres et le cas échéant, des Secrétaires d'Etat. Il est composé clans un esprit d'unité nationale et gère la politique de la nation clans le cadre des décisions prises en conseil des Ministres.
*(cf. Art.86-87* Constitution *de la République du Burundi)*

---

**Questions/Réponses (page 62)**

1. Quelle est la durée du mandat du Président de la République et combien de mandats peut-il exercer?

2. Qui dirige l'action du gouvernement clans le cadre des décisions prises en conseil des Ministres?

Sujet de discussion :
Comparez la façon dent le chef démocratique et le chef traditionnel gèrent le pouvoir.



## 2. INZEGO NSHINGWANTWARO

*a. Umukuru w 'Igihugu*

1. "Umukuru w'igihugu yatowe n'abanyagihugu, ararahira ko atazotirigana ku masezerano y'Ubumwe bw'Abarundi, kw'Ibwirizwa Nshingiro n'ayandi mabwirizwa, ko azoharanira ineza y'Uburundi n'abarundi, kwubahiriza ubumwe bw'abarundi, amahoro mu gihugu, ubutungane kuri bose, iterambere ry'igihugu n'agateka ka zina muntu; vyongeye, akubahiriza imbibe n'ukwikukira kwa Repubulika y'Uburundi."
*(Ingingo ya 68 (1) Ibwirizwa Nshingiro rya Repubulika y'Uburundi)*

*b. Urwego Nshikiranganji*

2. Urwego Nshikiranganji rugizwe n'Umushikiranganji wa mbere, abashikiranganji, n'abanyamabanga ba Leta iyo bikenewe. Abagize Urwego Nshikiranganji bagenwa hisunzwe na ntaryo ubumwe bw'abarundi bakongera bagatunganya iringanizwa ryarwo rukurikije ivyemejwe n'Inama Nshikiranganji.
*(cf Ingingo ya 86 Ibwirizwa Nshingiro rya Repubulika y'Uburundi)*

---

**Utubazo/ Inyishu (ku rupapuro 63)**

1. Ikiringo c'umukuru w'igihugu kimara igihe kingana iki kandi ashobora kuzotorwa kurongora igihugu kangahe?

2. Ni nde arongora ibikorwa n'urwego nshikiranganji mu v yerekeye ingingo zifatwa n'Inama Nshikiranganji?

Iciyumviro co guharirako :
Gereranye uburyo umutware w'intwaro rusangi atwara n'uburyo umutware wa kera yatwara.

## 3. *POUVOIR LEGISLATIF*

1. L'Assemblée Nationale, démocratiquement élue, constitue le reflet de diversités économiques, sociales et régionales d'un peuple.

2. Les représentants du peuple travaillent à l'adoption des lois en servant à la fois les intérêts de leurs électeurs, de leur parti et de la Nation clans son ensemble.

---

**Questions/Réponses (page 62)**

1. Comment se nomment les membres de l'Assemblée Nationale?

2. Comment appelle-t-on celui qui dirige l'Assemblée Nationale?

Sujet de discussion
Si les députés votent des lois, comment vous assurer que votre député représente vos intérêts?



## 3. URWEGO NSHINGAMATEKA

1. Mu ntwaro rusangi, inama nshingamateka ibwirizwa guserukira abavukagihugu hose mu budasa bwabo bufatiye mu butunzi, mu mibano no mu ntara bavamwo.

2. Abashingamateka nibo bajejwe kwemeza amateka n'amategeko ashize imbere ineza y'ababatoye, y'umugambwe wabo be n'igihugu cose.

---

**Utubazo/ Inyishu (ku rupapuro 63)**

1. Abagize Inama Nshingamateka bitwa ngw'iki?

2. Uwurongoye Inama Nshingamateka bamwita ngw'iki?

Iciyumviro co guharirako
Iyo abashingamateka bashinze amategeko, mwomenya gute ko umushingamateka wanyu aserukira ineza yanyu?

## 4. POUVOIR JUDICIAIRE

1. "Le pouvoir judiciaire, gardien des droits et des libertés publiques, assure le respect de ces droits clans les conditions prévues par la loi."
*(Art.39 Constitution de la République du Burundi)*

2. Parce que tous les êtres sent égaux devant la loi, un juge doit l'appliquer à tous de la même façon, saris discrimination et saris préférence aucune.

---

**Questions/Réponses (page 62)**

1. *Choisir la ou les bonnes réponses.*
Qui peut influencer les décisions des juges?
a) Le Président de la République
b) Le Gouvernement
c) L'Assemblée Nationale
d) Les juges doivent décider en toute indépendance selon la loi

2. Quelles sent les personnes qui sent au-dessus de la loi?

Sujet de discussion :
Comment le pouvoir judiciaire actuel peut-il s'inspirer de l'institution d'Ubushingantahe du Burundi traditionnel?



## 4. URWEGO RW'AMASENTARE

1. "Sentare ni zo nkinzo ziharanira agateka ka zina muntu, zikakubahiriza, hakurikijwe amabwirizwa."
*(Ingingo ya 39 Ibwirizwa Nshingiro rya Repubulika y'Uburundi)*

2. Kubera abantu hose bangana imbere y'amategeko, umucamanza ategerezwa kuyakurikiza co kimwe kuri bose, atawukumiriwe canke ngo barabe nkunzi.

---

**Utubazo/ Inyishu (ku rupapuro 63)**

1. *Tore inyishu imwe canke nyinshi nziza.*
Ni nde ashobora guhengamika ingingo z'abacamanza?
a) Umukuru w'Igihugu
b) Urwego Nshikiranganji
c) Inama Nshingamateka
d) Abacamanza bategerezwa gushinga ingingo mu bwigenge kandi bakurikije amategeko

2. Abantu bari hejuru y'amategeko ni bande?

Iciyumviro co guharirako
Mwibaza ko urwego rw'amasentare y'ubu hari icirwa ngirakamaro rwokura ku ntahe yo kumugina y'abashingantahe b'aho hambere mu Burundi?

## 5. *SOCIETE CIVILE ET PARTIS POLITIQUES*

**1.** La société civile, fondation d'une société démocratique, aide les citoyens à exprimer leurs idées et à travailler ensemble pour le bien-être de leur communauté.

**2.** Un parti politique est un regroupement de personnes qui partagent la même vision dun projet de société démocratique pour le bien-être de tous les citoyens.

---

**Questions/Réponses (page 62)**

1. *Choisir la ou les bonnes réponses.*
Font partie de la société civile les entités ci-après :

a) Les commerçants
b) L'ensemble des organisations sociales, culturelles et commerciales
c) Le gouvernement
d) Les syndicats
e) Les ligues des droits de l'homme

2. Quels sent les partis politiques signataires de la Convention de Gouvernement du Burundi (septembre 1994)?

uiet de discussion :
Si vous voulez améliorer quelque chose dans votre quartier, comment pouvez-vous faire appel à la société civile et/ou aux partis politiques? Donnez un exemple.



## 5. *IBISATA BITEGAMIYE LETA BE N'IMIGAMBWE*

**1.** Ibisata bitegamiye leta, nkingi y'intwaro rusangi, birafasha abanyagihugu guserura ivyiyumviro vyabo no gukorera hamwe ku neza ya bose.

**2.** Umugambwe ni ihwaniro ry'abantu benshi bahurikiye kumugambi umwe kugira bateze imbere igihugu n'abanyagihugu.

---

**Utubazo/ Inyishu (ku rupapuro 63)**

1. *Tore inyishu imwe canke nyinshi nziza.*
Iyi mirwi iri mu batagira aho begamiye :

a) Abadandaza
b) Urunani rw'amashirahamwe y'imibano, imico kama n'abudandaji
c) Urwego Nshikiranganji
d) Amasendika
e) Amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu

2. Ni iyihe migambwe yashize igikumu ku masezerano y'intwaro y'Uburundi (nyakanga 1994)

Iciyumviro co guharirako :
Mushaka guteza imbere ikintu mu gacimbiri kanyu imigambwe canke amashirahamwe yigenga mwoyasaba iki? Tange akarorero.

## 6. FORCES DE L'ORDRE

1. Les forces de l'ordre soutiennent l'Etat en faisant respecter les lois sous le commandement du Pouvoir Exécutif.

2. Les forces de l'ordre manifestent leur professionnalisme en maintenant l'ordre public, tout en assurant l'intégrité physique des citoyens.

---

**Questions/Réponses (page 62)**

1. Nommez les différents corps constituent les forces de l'ordre attachées au Ministère de la Défense Nationale.

2. *Choisir la ou les bonnes réponses.*
Au Burundi les armes à feu sent:
   a) Réservées aux forces de l'ordre
   b) A distribuer aux jeunes et aux femmes
   c) Achetées par celui qui le peut

Sujet de discussion :
Donnez des exemples concrets où les forces de l'ordre font respecter la loi.



## 6. ABAJEJWE GUCUNGERA UMUTEKANO

1. Abajejwe gucungera umutekano barafasha Leta mu kwubahiriza amategeko no mu gucungera umutekano w'abanyagihugu bitegetswe n'Inzego Nshingwantwaro.

2. Abajejwe gucungera umutekano berekana ico bamaze mu gucungera umutekano no mu kwubahiriza ubuzima bw'abanyagihugu bose.

---

**Utubazo/ Inyishu (ku rupapuro 63)**

1. Ni mudondagure imigwi y'abashinzwe gucungera umutekano ikukira ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi.

2. *Tore inyishu imwe canke nyinshi nzinza.*
Mu Burundi ibigwanisho bicira umuriro :
   a) Birekuriwe abajejwe gucungera umutekano
   b) Ni ivyo guha urwaruka n'abakenyezi
   c) Bigurwa n'uwubishoboye

Iciyumviro co guharirako :
Tange uturorero tw'aho abashinzwe gucungera umutekano bubahiriza amategeko.

## 7. *MEDIAS*

1. Un journaliste objectif est un journaliste qui dépasse ses préjugés et tendances pour présenter honnêtement à son public tous les aspects contradictoires d'un sujet d'information ou d'un thème débattu.

2. En présentant de l'information juste, les médias aident les citoyens à distinguer la vérité des rumeurs destructrices.

---

**Questions/Réponses (page 64)**

1. Quel est le médium de communication le plus utilisé au Burundi?

2. *Choisissez la ou les bonnes réponses.*
L'Agence Burundaise de Presse est :
   a) Une presse privée
   b) Une presse publique
   c) Une agence publique qui distribue des informations aux autres agences tant nationales qu'internationales, privées ou publiques

Sujet de Discussion :
Comment se distingue le journalisme professionnel de celui qui ne l'est pas?



## 7. *IBIMENYESHAMAKURU*

1. Umumenyeshamakuru w'ukuri ni umumenyeshamakuru arengera ivyo abantu bishize mu mitwe canke ibindi bintu asanzwe yegamiye agashikiriza abanyagihugu inkuru y'ukuri ku ngingo iyariyo yose.

2. Mu kumenyesha inkuru z'ukuri, ibimenyeshamakuru bifasha abanyagihugu gutandukanya ukuri n'ibihuha bidusambuza.

---

**Utubazo/ Inyishu (ku rupapuro 65)**

1. Uburyo bwo kumenyesha amakuru bukoreshwa kuruta ubundi mu Burundi ni ubuhe?

2. *Tore inyishu imwe canke nyinshi nziza.*
Itororokanirizo ry'amakuru ryo mu Burundi ni :
   a) Iyandikiro ry'amakuru ryigenga
   b) Iyandikiro ry'amakuru rya Leta
   c) Itororokanirizo rya Leta ritanga amakuru ku yandi matororokanirizo mu burundi canke mu makungu, yaba y'amaleta canke ayigenga

Iciyumviro co guharirako :
Mbega ukumenyesha amakuru kwisunga amategeko y'uwo mwuga gutandukani ye he n'ukumenyesha amakuru kutayisunga?

## 8. ELECTIONS

1. L'élection n'est pas une lutte pour la vie, mais une compétition d'idées ou de visions dent l'enjeu est l'opportunité de représenter et de servir la collectivity suivant le choix de la population.

2. Dans un Etat démocratique, l'accession au pouvoir se distingue par la transparence et le respect du processus électoral, saris tricherie.

---

**Questions/Réponses (page 64)**

1. A quelle date ont eu lieu les premières élections Présidentielle et Législative démocratiques au Burundi?

2. Les propositions suivantes sont-elles vraies ou fausses?
   a) Participer aux élections est un devoir civique
   b) Les élections offrent l'occasion de choisir ses dirigeants
   c) Le processus électoral est la seule caractéristique d'un État démocratique
   d) Les élections reflètent la volonté du peuple

Sujet de discussion :
Expliquez comment les élections caractérisent un Etat démocratique.



## 8. AMATORA

1. Itora si ukurondera ubuzima, ahubwo ni uguhiganisha ivyiyumviro n'imigambi mu ntumbero yo guserukira no gukorera abanyagihugu mu gushaka kwabo.

2. Mu ntwaro rusangi ugushikira ubutegetsi guca mu ugukurikiza itegeko rigenga amatora atunganijwe ku mugaragaro ata busuma burimwo.

---

**Utubazo/ Inyishu (ku rupapuro 65)**

1. Amatora ya mbere y'umukuru w'igihugu ni ay'abamashingamateka yabaye ku magenekerezo ayahe?

2. Amungane akurikira yoba ariyo canke siyo?
   a) Kwitaba amatora ni ibanga ku munyagihugu
   b) Amatora atanga akaryo ko kwitorera abategetsi
   c) Ingendo ishikana ku matora ni yo yonyene iranga igihugu kiri mu ntwaro rusangi
   d) Amatora niyo yerekana ico abanyagihugu bagona

Iciyumviro co guhariráko:
Sigure ingene amatora ari ngombwa mu kwubaka igihugu c'intwaro rusangi.

## 9. TRANSPARENCE

1. Un état démocratique se gère de façon transparente, en suivant la loi, saris parti pris à cacher.

2. La transparence consiste à prévoir les mécanismes de fonctionnement des institutions et à les porter à la connaissance de tous les membres de la société, afin que ces derniers puissent s'y référer pour prévaloir ce qui est de leur droit.

---

**Questions/Réponses (page 64)**

1. *A chacune de ces propositions répondez par oui ou non.*
En Démocratie travailler de façon transparence implique :
- a) Associer les concernés à la prise des décisions
- b) C'est gérer le pouvoir en respectant la loi de façon claire et& la vue de tous
- c) C'est gérer le pouvoir en garantissant le droit aux citoyens et aux médias d'avoir accès à l'information légalement accessible

2. Choisissez l'exemple qui relève de la transparence.
- a) Un professeur corrige et remet les copies à ses élèves pour les éventuelles réclamations suivant la grille de correction établie d'avance
- b) Un autre ne donne ni les copies ni la grille de correction à ses élèves mais transcrit leurs notes sur les bulletins'

S: et de discussion :
Présentez les actes d'une autorité qui témoignent la transparence.



## 9. UKUVUGANA UKURI KU MUGARAGARO

1. Mu ntwaro rusangi, Igihugu gitwarwa hakurikijwe amategeko, ku mugaragaro ata ruhande ruhishijwe.

2. Ukuvugana ukuri ku mugaragaro n'ugutegekanya uburyo bw'ingene inzego zikora, ukongera ukabumenyesha abanyagihugu hose kugira ngo nabo bashobore kubwishimikiza mu gusaba ibibegukira.

---

**Utubazo/ Inyishu (ku rupapuro 65)**

1. *Ishura ego canke oya ku ryungane rimwe rimwe.*
Mu ntwaro rusangi gukora mu buryo bwo kuvugana ukuri ku mugaragaro bisaba :
- a) Gukorana n'abanyagihugu mu gufata ingingo
- b) Gukora ukurikije amategeko ku buryo butomoye kandi hose babona
- c) Gutwara wemerera abanyagihugu n'ibimenyeshamakuru ko bazoronka inkuru bishimikije amategeko

2. Tore akarorero kerekana kuvugana ukuri ku mugaragaro :
- a) Umwarimu akosora akongera agasubiza impapuro abanyeshure biwe kugira ngo bagire ivyo basaba bakurikije inyishu z'ibibazo yakosoreyeko yari yarateguye imbere y'igihe
- b) Uwundi adatanga impapuro canke inyishu z'ibibazo yakosoreyeko mugabo, agaca yandika amanota ku mpapuro z'amanota

<u>Iciyumviro co guhariirako</u> :
Erekane ibikorwa umutegetsi wanyu yakoze biserura ukuvugana ukuri ku mugaragaro?

## 10. EDUCATION

**1.** Pour qu'un Burundi démocratique se développe, il est essentiel que la population dans son ensemble ait accès à l'éducation.
*(cf. Art. 32 (1) Constitution de la République du Burundi)*

**2.** La meilleure éducation que les adultes puissent transmettre aux plus jeunes est par l'exemple de leurs actes.

---

**Questions/Réponses (page 64)**

1. Quel est le taux d'alphabétisme au Burundi?

2. *Choisir la ou les bonnes réponses.*
Quel était le pourcentage du budget alloué aux deux ministères de l'enseignement au Burundi en 1995?
a) 8,9%
b) 12,6%
c) 20,9%
d) 35,4%

Sujet de discussion :
Quels rôles jouent les intervenants suivants clans l'éducation politiciens, parents, éducateurs?



## 10. INDERO N'UBUMENYI

**1.** Kugira Uburundi butere imbere mu ntwaro rusangi, birakenewe ko abarundi hose baronka inyigisho.
*(cf. Ingingo ya 32 (1) Ibwirizwa Nshingiro rya Repubulika y'Uburundi)*

**2.** Indero nziza abakuze bashobora guha urwaruka ni akarorero keza mu vyo bakora.

---

**Utubazo/ Inyishu (ku rupapuro 65)**

1. Abazi gusoma no kwandika bashikana ibice bingahe kw'ijana mu Burundi?

2. *Tore inyishu imwe canke nyinshi nziza.*
Ni ikihe gice muri ibi categekanijwe gukoreshwa mu bushikiranganji bubiri bw'inyigisho mu Burundi mu 1995?
a) 8,9%
b) 12,6%
c) 20,9%
d) 35,4%

Iciyumviro co guharirako
Aba bantu bafise irihe banga mu ndero : Abanyapolitike, abavyeyi n'abarezi?

## 11. EGALITE

1. "Tous les hommes sent égaux devant la loi et ont droit saris distinction, à une égale protection de la loi."
*(Art. 15 (2) Constitution de la République du Burundi)*

2. Les inégalités devant la loi blessent la dignité humaine et provoquent des injustices réciproques.

---

**Questions/Réponses (page 64)**

1. *Choisir la ou les bonnes réponses.*
Dans la Démocratie, les citoyens doivent être traités :
a) De façon inégale
b) Dune home façon
c) De façon égale

2. Par quel mot peut-on compléter cette phrase:
*"Tous les hommes sent...............devant la loi".*

Sujet de discussion
Donnez des exemples où l'on vous a traité ou servi comme algal aux autres, comme inférieur aux autres, et comme supérieur aux autres. Quelles ont été vos réactions aux trois situations?



## 11. UKUNGANA

1. "Abantu hose barangana imbere y'amabwirizwa, arabubahiriza hose co kimwe ata gucagura."
*(Ingingo ya 15 (2) Ibwirizwa Nshingiro rya Repubulika y'Uburundi)*

2. Ukutangana imbere y'amategeko biracafuza kama ka muntu kandi bikwega akarenganyo mu bantu.

---

**Utubazo/ Inyishu (ku rupapuro 65)**

1. *Tore inyishu imwe canke nyinshi nziza.*
Mu ntwaro rusangi, abanyagihugu bafatwa gurtya :
a) Mu buryo bwo gusumbasumbana
b) Mu buryo bwiza
c) Mu buryo bwo kungana

2. Ni irihe jambo mwokwuzurisha iri ryungane :
*"Abantu hose ........ imbere y'amategeko"*

Iciyumviro co guharirako
Tange uturorero tw'aho babafashe ko mungana n'abandi, muri musi y'abandi, muri hejuru y'abandi. Ivyo bihe uko ari bitatu mwavyifashemwo gute?

## 12. LIBERTE

1. La liberté est à la base de nos droits humains, surtout ceux de pouvoir s'exprimer, de circuler librement et de choisir son lieu de résidence clans son pays.

2. Toute personne peut être privée de sa liberté au nom de la loi; mais même clans ce cas, cette personne doit être traitée avec humanité et avec le respect de la dignité inhérente à la personne humaine.
*(cf. Art.14 (3) Constitution de la République du Burundi)*

---

**Questions/Réponses** **(page 64)**

1. *Choisir la ou les bonnes réponses.*
Quelle(s) forme(s) de liberté caractérise une société démocratique?
a) La liberté des oiseaux
b) La liberté de se faire justice soi-même
c) La liberté de se marier avec quelqu'un(e) d'une autre ethnie
d) La liberté d'expression

2. *Choisir la ou les bonnes réponses.*
La liberté signifie :
a) Faire tout ce que l'on veut
b) Faire tout ce que l'on peut
c) La faculté de faire tout ce qui n'est pas contraire à la loi et qui ne nuit à personne

Sujet de discussion
Donnez un exemple au sein duquel vous avez vu la liberté d'expression être utilisée de façon constructive et un autre de façon destructive? Présentez les avantages et les inconvénients de ces exemples.



## 12. UKWISHIRA N'UKWIZANA

1. Ukwishira n'ukwizana ni yo nkingi y'agateka ka zina muntu, cane cane mu gushikiriza ico yipfuza, mu kwidegemvya ataco yinona hamwe n'ugutora aho umuntu aba mu gihugu camwibarutse.

2. Umuntu wese arashobora kubuzwa kwishira n'ukwizana bivuye ku mategeko; mugabo naho nyene, uyo muntu ategerezwa gufatwa runtu akagumana agateka kagenga zina muntu.
*(cf. Ingigo ya 14 (3) Ibwirizwa Nshingiro rya Repubulika y'Uburundi)*

---

**Utubazo/ Inyishu** **(ku rupapuro 65)**

1. *Tore inyishu imwe canke nyinshi nziza.*
Ni ubuhe buryo bwo kwishira n'ukwizana buranga igihugu kiri mu ntwaro rusangi?
a) Ukwishira n'ukwizana kw'inyoni
b) Ukwishira n'ukwizana mu kwihanira
c) Ukwishira n'ukwizana mu kwubakana n'uwo mudasangiye ubwoko
d) Ukwishira n'ukwizana mu mvugo no mu nyandiko

2. *Tore inyishu imwe canke nyinshi nziza.*
Ukwishira n'ukwizana bisigura :
a) Gukora ico cose ushaka
b) Gukora ico cose ushoboye
c) Ububasha bwo gukora ico cose kidateye kubiri n'amategeko vyongeye ata n'umwe kironderera inabi

Iciyumviro co guharirako :
Tange akarorero k'aho ukwishira n'ukwizana mu vyiyumviro v yubaka n'aho bisambura. Tange ivyiza n'ibibi kuri ubwo burorero.

## 13. UNITE NATIONALE

1. Dans une démocratie, on découvre l'Unité en appréciant les differences comme complémentaires.

2. Préserver l'Unité des Barundi, c'est préserver ses amitiés avec ceux et celles de "l'autre" groupe en évitant de se laisser faussement diviser.

---

**Questions/Réponses (page 66)**

1. Quels sent les deux autres roots qui complètent avec "Unité" la devise du Burundi?

2. Un seul homme ne peut pas pousser une voiture en panne mais trois hommes le peuvent; pourquoi?

Sujet de discussion :
Donnez l'exemple d'un(e) ami(e) de qui vous vous sentez séparé(e) par les divisions des groupes auxquels vous êtes identifies.



## 13. UBUMWE B W'ABARUNDI

1. Mu ntwaro rusangi, ubumwe bukomezwa n'ukubona ko ubudasa bw'abantu ari magiriranire.

2. Gutsimbataza Ubumwe bw'Abarundi ni kugumana ubucuti nabo tudasangiye ubwoko no kutemera kwicamwo imirwi

---

**Utubazo/ Inyishu (ku rupapuro 67)**

1. Ni ayahe majambo abiri yuzuza hamwe "n'ubumwe" icivugo c'Uburundi.

2. Umuntu umwe ntashobora gusunika umuduga wapfuye ariko abantu batatu bo barabishobora, kuki?

Iciyumviro co guharirako :
Tange akarorero kavuga ivyerekeye umugenzi mwatandukanye kubera amacakubiri y'imigwi mwiyitirira.

## 14. TRAVAIL

1. Aucun citoyen ne doit être lésé dans son travail en raison de son ethnie, de ses opinions et de ses croyances.

2. Le travail est une création sociale qui met à contribution tous les citoyens : il réduit le chômage et la délinquance, sources de banditisme et de violence.

3. C'est en impliquant davantage les travailleurs clans les prises de décisions qu'ils découvrent eux aussi une nouvelle façon de gérer le pouvoir qui est démocratique.

---

**Questions/Réponses (page 66)**

1. Quelle proportion de l'ensemble des échanges commerciaux du Burundi est attribuée à chacun des continents suivants :
   a) Europe (? %)
   b) Asie (? %)
   c) Afrique (? %)
   d) Amérique (?%)

2. Quels sent les quatre produits les plus exportés du Burundi?

Sujet de discussion
Donnez un exemple concret d'un patron qui inspire sa gestion par des valeurs démocratiques. En quoi diffère-t-il d'autres patrons?



## 14. IBIKORWA

1. Nta munyagihugu n'umwe agenewe gutotezwa mu kazi kubera ubwoko bwiwe, ivyiyumviro canke idini.

2. Ibikorwa bihuza abanyagihugu bose, bigabanya ubushomeri, ubuhumbu, vyo nzanyi y'ubusuma n'ubwicanyi.

